AMBASSADE DE LA
REPUBLIQUE DU BURUNDI

A
BRUXELLES

# IJAMBO NYAKUBAHWA AMBASSADEUR THERENCE NTAHIRAJA YASHIKIRIJE ABARUNDI BO MU BUBILIGI KU WA 13 GITUGUTU 2025, AHO BIBUKA IMYAKA 64 IHEZE HAGANDAGUWE INCUNGU YO KWIKUKIRA KW'UBURUNDI, UMUGANWA ATARI UMUGANI RUDOVIKO RWAGASORE

*Bruxelles le 13 Octobre 2025*

- ***Banyakubahwa Basasiradoti mwaduteye iteka muri bino birori ;***
- ***Banyakubahwa mwagenywe mu mabanga yo gufasha mu Buserukizi bw'Uburundi aha mu Bubirigi, mu Gihugu ca Luxembourg no mw'ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Buraya ;***
- ***Banyakubahwa mwaserukiye umuryango w'incungu y'ukwikukira kw'Uburundi, Umuganwa atari Umugani, Nyenicubahiro Rudoviko RWAGASORE ;***
- ***Banyakubahwa mwaserukiye Umuryango w'incungu ya demokarasi mu Burundi, Nyenicubahiro President Melchior NDADAYE ;***
- ***Banyakubahwa mwaserukiye umuryango wa nyakwigendera, Nyenicubahiro Président NTARYAMIRA ;***


SQUARE MARIE-LOUISE, 46 – 1000 BRUXELES – TEL.02.230.45.35.02.230.45.48 – FAX.02.230.7883 – ambassade.burundi@gmail.com

- ***Banyakubahwa mwese mwateye iteka uru rubanza ntibagiranwa mu mateka y'Igihugu cacu c'Uburundi, umwe wese mu cubahiro IMANA yamuhaye ;***

- ***Bagabo, Bashingantahe, Bapfasoni, Rwaruka, tugire amahoro !***

- ***Tugire Amahoro, Ubumwe, Iterambere n'Intsinzi yo Kwikukira mu Gihugu cacu c'Uburundi !***

1. Kuri uyu musi wambere igenekerezo rya 13 gitugutu 2025, ndi n'iteka ntangere ryo kugengurukira Imana Mushoboravyose, yo yadushoboje gushika kuri uyu musi udasanzwe mu mateka y'Igihugu cacu c'Uburundi. Kukaba nkako, ni umusi twibuka imyaka 64 irangiye, Incungu yo kwikukira kw'Uburundi, **Umuganwa atari Umugani Rudoviko RWAGASORE** agandaguwe bunyamaswa hakoreshejwe ikigwanisho gicira umuriro.

2. Banyakubahwa mwese mukoraniye ng'aha, kubera ububisha bw'abansi b'ukwikukira kw'Uburundi, **Nyenicubahiro Umuganwa atari umugani Rudoviko RWAGASORE** yaragandaguwe izuba riva, avuye kugirisha Inama Nshikiranganji. Hari kw'igenekerezo rya 13 gitugutu 1961.

3. N'aho abo bansi b'Uburundi bakoze iryo bara, urugamba rw'Abarundi bari bahurikiye mu Mugambwe w'Abadasignana UPRONA, rwarabandanije, gushika aho intsinzi yo kwikukira Abarundi twese twayishikako kw'igenekerezo rya mbere mukakaro 1962. Nico gituma Umuganwa atari Umugani Rudoviko Rwagasore ari « **INCUNGU YO KWIKUKIRA KW'UBURUNDI** ».


SQUARE MARIE-LOUISE, 46 – 1000 BRUXELES – TEL.02.230.45.35.02.230.45.48 – FAX.02.230.7883 – ambassade.burundi@gmail.com

4. Kuvyerekeye iragi yadusigiye, murahejeje kuryumviriza mwese. Yavuze ati : ***« Iconipfuza cane cane, n'uko umuntu wese aba muri ubu Burundi yogira ati Ashiiiii !, maze umutima ugasubira mu nda ».*** Yaciye yongera ati : ***« Nshaka ko atanumwe yogirigwa nabi. Nshaka ko Reta yoba Umivyeyi ahumuriza bose, akabakingira ».***

5. None iryo ragi abarundi twararigendeye ? **Vyagenze gute kugirango Abarundi bamwe bagandagurwe ? Abandi Barundi bahinduke impunzi kava 1965, 1969, 1972, 1988, 1993, 2015, etc. ?**

   - ***Banyakubahwa mwese mwitavye uru rubanza umwe wese mu cubahiro Imana yamuhaye,***

6. Kubera ico kibazo gihambaye, tuje hamwe twese, dushigikire Reta y'Uburundi mu kuyiterera ivyiyumviro vyubaka, mu mugambi wayo wo guteza imbere Igihugu cacu no kunywanisha Abarundi. Gutyo iragi twasigiwe n'incungu yo kwikukira kw'Uburundi tuzorishikako.

7. Munkundire, ndabakengurukire bimwe bivuye ku mutima kubona mwirengagije izindi manza mwari mwatumiwemwo, maze mugashima kwitaba ubutumire bwacu. Ikidukoranije murakizi nk'uko mwavyisomeye mu butumire. Vyongeye, Umusaserdoti yagisubiyemwo mu nkuka y'imisa: **"*Twibuka imyaka 64 iheze hagandaguwe bunyamaswa incungu yo kwikukira kw'Uburundi, Nyenicubahiro Umuganwa Atari Umugani Rudoviko RWAGASORE. Hari kw'igenekerezo rya 13 gitugutu 1961".***

8. Mu kurangiza, nk'uko bimeze mu migenzo y'ikirundi nka Serugo, nagira ndabashikirize urukanywa. Muruhe umutima ushima, ntimuruhe umutima ushiha! Kuko, inda ni bahomora, ni seha uzana. Niyo rwakutsa agatere, mukutse umuhunda! Ariko rero, ntawe twirukanye, kubavyipfuza, turashobora kubandanya tuzirikana ijambo nkoramutima twumvise, twongera dusangira, twuzuzanya mu vyiyumviro vyubaka igihugu.


SQUARE MARIE-LOUISE, 46 – 1000 BRUXELES – TEL.02.230.45.35.02.230.45.48 – FAX.02.230.7883 – ambassade.burundi@gmail.com

9. Mu gusozera, twongeye gushimira Imana Mushoboravyose, no gushimira Abakozi b'Imana na Mwebwe mwese mwitavye ubutumire.

***Nitugire amahoro, ubumwe, iterambere n'intsinzi yo kwikukira kw'Uburundi!***



SQUARE MARIE-LOUISE, 46 – 1000 BRUXELES – TEL.02.230.45.35.02.230.45.48 – FAX.02.230.7883 – ambassade.burundi@gmail.com